IKIYAGO
c' Inama Nshingamateka

www.assemblee.bi www.flickr.com/inamanshingamateka Facebook: Inama nshingamateka twitter:@nshingamateka

Ishirwaho rya Biro y'Inama Nshingamateka y'ikiringo ca 2020-2025.

P:11



IMIGENDERANIRE

Umukuru w'Inama Nshingamateka yarakiriye uwuserukira igihugu c'Ubushinwa mu Burundi.

P: 15

GUKARISHA UBWENGE

Inama Nshingamateka yarateguye uruganda rwo gukarihiriza ubwenge Abashingamateka bashasha bo mu kiringo ca 2020-2025.

P: 19

AMATORA

Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yaritabiriye amatora y'abakuru b'imitumba

P:26

N°:1/2020 Nyakanga 2020

Gisohoka rimwe mu kwezi

Palais des Congrès de Kigobe

B.P: 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / 22 26 70 07

ABASHINGAMATEKA B'IKIRINGO CA 2020-2025



Très Hon. Gelase Daniel NDABIRABE
Umukuru w'Inama Nshingamateka
KAYANZA - Hutu - CNDD-FDD



Hon. Sabine NTAKARUTIMANA
Icegera ca mbere c' Umukuru w'Inama Nshingamateka
MUYINGA - Hutu- CNDD-FDD



Hon. Abel GASHATSI
Icegera ca kabiri c' Umukuru w'Inama Nshingamateka
MURAMVYA- Tutsi - UPRONA

Palais des Congrès de Kigobe
B.P: 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / 22 26 70 07

ABARONGOYE IMIRWI YAMAHO MU NAMA NSHINGAMATEKA



Hon. Claude NAHAYO
NGOZI - HUTU - CNDD-FDD
Arongoye umurwi wamaho ujejwe intwaro ibereye no gushira mu minwe y'abikorera utwabo amashirahamwe, inyubako n'ibindi bikorwa Leta ifisemwo imitahe.



Hon. Joseph BUTORE
CIBITOKE - HUTU - CNDD-FDD
Arongoye umurwi wamaho ujejwe politike, intwaro, imigenderanire n'amakungu hamwe n'ibihugu bigize akarere ka Afirika y'Ubuseruko.



Hon. Jocky Chantal NKURUNZIZA
RUYIGI - TUTSI - CNDD-FDD
Arongoye umurwi wamaho ujejwe uburimyi, ubworozi ibidukikije, guteza imbere ama komine hamwe n'ibikorwa vya Leta



Hon. Evariste NDIKUMANA MAIRIE - TWA
Arongoye umurwi wamaho ujejwe ubutungane n'agateka ka zina Muntu.



Hon. Zénon NDARUVUKANYE
BUJUMBURA - HUTU - CNDD-FDD
Arongoye umurwi wamaho ujejwe umutekano no kwivuna abansi



Hon. Pamphile MALAYIKA
MUYINGA - HUTU - CNL
Arongoye umurwi wamaho ujejwe imibano, guhungura impunzi, kunganisha amahirwe no kurwanya SIDA.



Hon. Felix MPOZERINIGA
NGOZI - HUTU - CNL
Arongoye umurwi wamaho ujejwe indero, urwaruka imico kama nogutumatumanako amakuru.



Hon. Nestor NTAHONTUYE
RUYIGI - HUTU - CNDD-FDD
Arongoye umurwi wamaho ujejwe ibibazo vy' ubutunzi.



Hon. Donathile BACIMISI
CIBITOKE - HUTU - CNL



Hon. Réverien BANTEYUBWOBA
KIRUNDO - HUTU - CNL



Hon. Chantal BARAMPAMA
BUJUMBURA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Nadine BARAMPAMA
KARUSI - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Ildephonse BARYANINTIMBA
KIRUNDO - HUTU - CNL



Hon. Médiatrice BAZIZANA
NGOZI - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Emmanuel BIGIRIMANA
CIBITOKE - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Salvator BIGIRIMANA
CANKUZO - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Zénon BIGIRIMANA
MWARO - HUTU - CNL



Hon. Edmond BIGIRUMUHIRE
KIRUNDO - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Rémy BIGIRUMUSASE
KIRUNDO - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Simon BIZIMUNGU
CIBITOKE - HUTU - CNL



Hon. Pascal BIZUMUREMYI
RUYIGI - HUTU - CNL



Hon. Petronie BUCUMI
BURURI - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Elias BUREGURE
MAIRIE - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Désiré BUTOYI
GITEGA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Emmanuella CISHAHAYO
RUMONGE - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Rédempteur GAHITIRA
MUYINGA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Thacien GAHUNGU
RUYIGI - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Pascal GIKEKE
MAIRIE - HUTU - CNL



Hon. Fidélité HABARUGIRA
GITEGA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Lyduine HABARUGIRA
BURURI - HUTU - CNL



Hon. Suavis HABONARUGIRA
GITEGA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Georges HAKIZIMANA
MAIRIE - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Léopold HAKIZIMANA
KAYANZA - HUTU - CNL



Hon. Alice HARERIMANA
CIBITOKE - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Laurent HARUSHIMA
MAKAMBA - HUTU - CNL



Hon. J. Claude HASABINTWARI
KIRUNDO - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Athanase HATUNGIMANA
BURURI - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Godeberthe HATUNGIMANA
RUTANA - TUTSI - CNL



Hon. Dieudonné HIBONEYE
NGOZI - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Alice INAMUCO
MAIRIE - TUTSI - CNL



Hon. M. Claire KANEZA
MUYINGA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Denis KARERA
GITEGA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Evariste KAYOBERA
KARUSI - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Cathy KEZIMANA
BUJUMBURA - TUTSI - CNL



Hon. J. Claude KWIZERA
MWARO - TUTSI - CNL



Hon. Aline MANIRABARUSHA
MUYINGA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Alexis MANIRAKIZA
BUBANZA - HUTU - CNL



Hon. Come MANIRAKIZA
BUBANZA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Emile MANIRAKIZA
BURURI - HUTU - CNL



Hon. Francine MANIRAKIZA
RUTANA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Antoine MANIRAMBONA
MAKAMBA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Thérence MANIRAMBONA
GITEGA - HUTU - CNL



Hon. J. Berchmans MBANYE
BUJUMBURA - HUTU - CNL



Hon. Sauda MBONEKO
BUJUMBURA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Parfait MBONINYIBUKA
RUTANA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Violette MINANI
RUTANA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Zachée MISAGO
MAKAMBA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Justine MPAWENAYO
NGOZI - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Euphrasie MUTEZINKA
KIRUNDO - TUTSI - CNL



Hon. Lazare MVUYEKURE
GITEGA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Claude NAHAYO
NGOZI - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Réverien NAHAYO
RUTANA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Dieudonné NAHIMANA
BUJUMBURA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. M. Rose NAHIMANA
CANKUZO - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Euphrasie NAKAMANA
KARUSI - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Léonidas NAKUMURYANGO
KARUSI - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Bernard NDAYISENGA
MAIRIE - HUTU - CNL



Hon. M. Rose NDAYISHIMIYE
MUYINGA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Anicet NDAYIZEYE
KAYANZA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Antoinette NDIKUMAGENGE
CANKUZO - HUTU - CNL



Hon. Janvière NDIRAHISHA
MAKAMBA - HUTU- CNDD-FDD



Hon. Dieudonné NDIZEYE
KARUSI - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Bernardine NDUWIMANA
MWARO - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Déo NDUWIMANA
RUMONGE - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Hassan NDUWIMANA
MUYINGA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Nicodème NDUWIMANA
MURAMVYA - HUTU - CNL



Hon. Patrice NDUWIMANA
KAYANZA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Sylvestre NGENDAKUMANA
KAYANZA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Solène NGENDAKUMANA
RUMONGE - TUTSI- CNDD-FDD



Hon. Néema NIBITANGA
CIBITOKE - TWA - UNIPROBA



Hon. Antoinette NIBIZI
KIRUNDO - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Epimeny NIBIZI
NGOZI - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Agrippine NIHORIMBERE
RUMONGE - TUTSI - CNL



Hon. Céline NIJIMBERE
KARUSI - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Onesphore NIJIMBERE
MAKAMBA - HUTU - CNL



Hon. J.Claude NIMUBONA
MURAMVYA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Silas NIRAGIRA
MURAMVYA - HUTU - CNNDD-FDD



Hon. Bénigne NISHIMWE
KIRUNDO - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Martin NIVYABANDI
MUYINGA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Alice NIYITUNGA
CIBITOKE - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Justin NIYOBUHUNGIRO
CIBITOKE - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Alodie NIYONKURU
CANKUZO - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Pélate NIYONKURU
KAYANZA - HUTU - CNL



Hon. M. Rose NIYONSABA
RUYIGI - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Constantin NIYONZIMA
NGOZI - HUTU - CNNDD-FDD



Hon. J. Baptiste NIYONZIMA
BUBANZA - TUSTI - CNDD-FDD



Hon. P. Claver NIYUBAHWE
KAYANZA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Emmanuel NIYUNGEKO
MURAMVYA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Sylvie NIZIGAMA
BUBANZA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Fébronie NIZIGIYIMANA
MURAMVYA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Constantin NKENYEREYE
RUYIGI - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Jacqueline NKURUNZIZA
NGOZI - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Ritha NSABIMANA
KIRUNDO - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Jean NSHIMIRIMANA
MUYINGA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. M. Immaculée NTACOBAKIMVUNA
GITEGA - HUTU - CNL



Hon. J. Marie NTAGAHORAHO
GITEGA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Nestor NTAHONTUYE
RUYIGI - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Obed NTAKIYIRUTA
RUMONGE - HUTU - CNL



Hon. Anicet NTIRAMPEBA
KAYANZA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Dévote NTISUMBWA
MAKAMBA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Bède NYANDWI
RUTANA - HUTU - CNL



Hon. Zainabu NZEYIMANA
GITEGA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Charles RUGEMA
KARUSI - TUTSI - CNL



Hon. Tharcisse RUTUMO
RUMONGE - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Agathon RWASA
NGOZI - HUTU - CNL



Hon. Catherine RWASA
KIRUNDO - TUTSI - CNDD-FD



Hon. J. Baptiste SINDAYIGAYA
KIRUNDO - TWA - UJEDECO



Hon. Apollinaire SINDAYIKENGERA
MWARO - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Gaston SINDIMWO
MAIRIE - TUTSI - UPRONA



Hon. J.Pierre SINZINKAYO
BUJUMBURA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Venant SINZINKAYO
GITEGA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Olivier SUGURU
BUBANZA - TUTSI - CNDD-FDD

Isasa rya mbere ry'ikiringo gishasha ca 2020 gishira 2025







Ku munsi wa kabiri, igenekerezo rya 04 myandagaro 2020, Abashingamateka baheruka gutorwa kw'igenekerezo rya 20 rusama 2020, barashashe ubwa mbere mu nama ya bose, hisunzwe itegeko ry'Umukuru w'Igihugu n°100/033 ryo kuwa 31 mukakaro 2020 rihamagaza isasa rya mbere ry'Inama Nshingamateka. Nk'uko ingingo y'175 y'ibwirizwa nshingiro ibitegekanya, umushingamateka akuriye abandi mu myaka niwe arongora iyo nama ya mbere iba igamije kwemeza amategeko azobagenga. Ibakwe ryagiriwe rero umushingamateka Venant Sinzinkayo yatowe mu ntara ya Gitega. Amaze kugenzura urutonde rw'abashingamateka mukubahamagara intara ku ntara, yaciye amenyesha ko ibikurikira bibera mu mwiherero.

Christine NAHIMANA

Ishirwaho rya Biro y'Inama Nshingamateka y'ikiringo ca 2020-2025.



Ku munsi wa gatanu igenekerezo rya 7 myandagaro umwaka wa 2020, Abashingamateka barakoranye barongowe n'umushingamateka asumvya abandi imyaka Venant Sinzinkayo kugirango batore abagize ibiro vy'Inama Nshingamateka b'ikiringo ca 2020 gishira 2025. Ayo matora rero aba inyuma y'isuzumwa ry'itegeko rizogenga Inama Nshingamateka ko rikwije ibisabwa n'amategeko rigigwa na sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro. Ku ngingo n°RCCB 396 yo kuwa 6/8/2020, sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro yaremeje ko itegeko rigenga Inama shingamateka ryemejwe mu nama ya bose yo kw'igenekerezo rya 5/8/2020 ko ryisunze Ibwirizwa Nshingiro.

Hisunzwe ingingo ya 20 ku karongo ka 3 y'itegeko rigenga Inama Nshingamateka ritegekanya ko « Amazina y'abitoza ategerezwa gutangwa yugaye bakayashikiriza uwuriko ararongora inama. Umushingamateka yariko ararongora inama yaciye



asaba abarongoye imirwi ya politike isanzwe iri mu Nama Nshingamateka gutanga amazina mu kibanza co guhiganirwa gutwara Inama Nshingamateka, mu kibanza c'icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka no mu kibanza c'icegera ca kabiri c'Umukru w'Inama Nshingamateka. Imbere y'itora twobamenyesha ko hari hashashe Abashingamateka 89 bari aho hamwe n'

umushingamateka umwe yari yatumye. Ku kibanza c'icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka



c'Umukuru w'Inama Nshingamateka umugambwe CNDD-FDD wonyene niwo watanze uwitoza ukaba watanze umushingamateka Gelase Daniel Ndabirabe, uwo nawe akaba yaciye atorwa ku majwi 90 n'ukuvuga ijana kw'ijana. Ku kibanza c'icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka naho nyene umugambwe CNDD-FDD niwo wonyene watanze uwitoza ukaba watanze umushingamateka Sabine Ntakarutimana akaba nawe yaciye atorwa ku majwi 90 n'ukuvuga ijana kw'ijana. Nk'uko bitegekanywa mu ngingo y'ibwirizwa rigenga Inama Nshingamateka mu gace karyo ka 19 umurongo wa mbere Umukuru w'Inama Nshingamateka n'icegera ciwe ca mbere, bategerezwa kuba badasangiye igitsina. Kubera rero Umukuru w'Inama Nshingamateka yari ahejeje gutorwa yari umugabo ico kibanza caca kiba icumukenyezi. Ku kibanza c'icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka umugambwe Uprona niwo watanze uwuwuserukira, ukaba watanze umushingamateka Abel Gashatsi akaba yaciye atorwa nk'icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka, akaba yaciye atorwa ku majwi 86 umwe aramuhakana nayo 3 ntibagira ico bamuvugako..

Twibuke ko urubanza rumwe rumara zibiri, iryo torwa rya



Biro y'Inama Nshingamateka ryaciwe rikurikirwa n'ibisikikanya ry'uwahora arongoye Inama Nshingamateka na Nyeniteka Gelase Daniel Ndabirabe. Mw'ijambo ryiwe inyuma y'itorwa, Umushingamateka Gelase Daniel Ndabirabe yaciye ashikiriza ijambo aho yashimiye ba nyakubahwa Abashingamateka ku cizere bamugiriye ngo abarongore. Yarashimiye uwabarongoye muri iyo minsi atunganya ibikorwa neza vy'Inama Nshingamateka mu kurongora ibikorwa vya mbere vyo gushiraho inzego z'Inama Nshingamateka. Yahamagariye Abashingamateka gukorana barihamwe kugira ibikorwa vy'Inama Nshingamateka bigende neza kandi babandanye bari kumwe n'ababatoye mu ntara bavukamwo.

Akaba yasavye ibisata vyo mu Nama Nshingamateka gusigurira abashingamateka ku bintu vya nkenerwa kugira bashobore gukora neza igikorwa co kugenzura ibikorwa vya Leta no gushira

mu ngiro ivyo Inama Nshingamateka iba yarasavye Leta. Yongeye gusaba Abashingamateka kuzana ubufasha bwabo mu gushiraho wa mugambi wa leta w'iterambere (PND). Ku bijanye n'ivyegeranyo vya Leta vyama bishikirizwa Inama Nshingamateka uko amezi atandatu aheze. Umukuru w'Inama Nshingamateka yararikiye abashingamateka n'abakozi b'Inama Nshingamateka gukurikirana neza ishigwa mu ngiro ryavyo n'uburyo buba bwatanzwe ku bisata vyose vy'ubushikiranganji hakurikijwe ivyemejwe muri iyo nteguro. Ivyo bikorwa bikaba vyarangijwe no gufata isanamu ya bose.

J.B. Claude NIJIMBERE

Inama Nshingamateka iramutswa uburongozi bushasha.




Kw'igenekenerezo rya 10 myandagaro umwaka wa 2020, niho haba ibisikanya hagati y'abagize ibiro bashasha bagiye kuramutswa uburongozi bw'Inama Nshingamateka hamwe n'abahahora. Uwahoze arongoye Inama Nhingamateka Umushingamateka Pascal Nyabenda akaba yarashikirije mugenzi we agiye kumukorera mu ngata, Nyeniteka Daniel Gelase Ndabirabe, bimwe mu bimenyetso ngenderwako bigaragaza uburongozi bw'Inama Nshingamateka. Yarashikirije kandi bimwe mu bikorwa urwego rw'Inama Nshingamateka rwaranguye iruhande yo gutora amategeko nkuko bisanzwe bikorwa n'urwo rwego. Aha twovuga

nk'itegeko rigenga abakozi b'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka riza rigeze mu biro vy'Umukuru w'Igihugu, kuronsa inyigisho abashingamateka zifatiye ku kungene amabwirizwa atorwa, kuronsa Abashingamateka inyigisho zifatiye ku buhinga bwa none mu gukoresha imashini nyabwonko. Ivyo navyo bikaba vyaciye bishirwa mu bikorwa vyihuta Nyeniteka umukuru w'Inama Nshingamateka Daniel Gelase Ndabirabe agiye kwihutira kuko izo nyigisho zahawe Abashingamateka bahahora zikenewe cane no kuri bashasha hamwe n'ibindi bikorwa vyose bisanzwe biri mu mabanga ajejwe haba mu kubinagura no kubitsimbataza ndetse no kwongereza umwimbu mu gutora amabwirizwa no gutunganya neza ikigo c'Inama Nshingamateka.

J.Bosco Ndayizeye

Umukuru w'Inama Nshingamateka yarakiriye uwuserukira igihugu c'Ubushinwa mu Burundi.



Ku munsi wa kabiri, igenekerezo rya 25 Myandagaro 2020, Umukuru w'Inama Nshingamateka, Nyeniteka Gélase Daniel Ndabirabe yarakiriye mu biro iwe uwuserukira igihugu c'Ubushinwa mu Burundi. Akaba yari amuzaniye ubutumwa bw'Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Ubushinwa bwo kumukeza mu mabanga aheruka gutorerwa, hamwe n'abo

bakorana mu Biro vy'Inama Nshingamateka.

Ubwo butumwa bukaba kandi bwari ubwo gusubira kwemeza imigenderanire myiza hagati y'Ubushinwa n'Uburundi, imigenderanire isanzwe ihari kandi ikomeye kuva kera.

Nk'uko ubwo butumwa bubandanya bubivuga, igihugu c'Ubushinwa ngo carakurikiranye cane ibijanye n'amatora aheruka kuba mu Burundi muri uwu mwaka w' 2020 hamwe n'ishirwaho ry'inzego nshasha, kikaba carashimye ingene amatora yagenze. Ubushinwa bukaba butera intege Uburundi kubandanya muri iyo ngendo ya demokarasi, nabwo ngo ntaco butazokora kugira bushigikire Uburundi.

Imigenderanire hagati y'Inama Nshingamateka y'Ubushinwa n'Inama Nshingamateka y'Uburundi ikaba igiye gukomera na cane cane mu vyerekeye guhanahana ubuhinga n'ubumenyi mu Bashingamateka biciye mu nganda zo gukarihiriza ubwenge Abashingamateka hamwe n'abakozi bo mu Nama Nshingamateka.

Arlette AKIMANA

Umukuru w'Inama Nshingamateka yarifatanije n'Abakirisu bo ku Musozi wa Siyoni i Gikungu ku munsi mukuru w'iyurizwa mw'ijuru rya Bikira Mariya.

Amahoro, ikigongwe no gusubiza hamwe, ivyo nivyo bavoma ku Kirimba ca Bikira Mariya co mu Gikungu, nk'uko vyashikirikijwe n'icegera ca Musenyi wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura, Musenyeri Anatole Ruberinyange, hari ku munsi wa gatandatu, igenekerezo rya 15 myandagaro 2020, aho hahimbazwa Umunsi mukuru w'iyurizwa rya Bikira Mariya mw'ijuru. Muri iyo nkuka ya misa yari yitabiriwe n'abategetsi b'igihugu batandukanye, uhereye ku mukuru w'Inama Nshingamateka n'umutambukanyi wiwe, Icegera c'Umukuru w'igihugu n'umutambukanyi wiwe, umukuru w'igisagara ca



Bujumbura na Musitanteri wa komine ya Ntahangwa, mu nsiguro yiwe icegera ca Musenyeri wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura yaribukije ko ico kirimba ca Bikira Mariya co ku musozi wa Siyoni cubatswe mu gihe igihugu cari mu ndyane, ariko nticatevye kugaragaza akamaro kaco.

Ati mu kuninahaza iyurizwa rya Bikira Mariya mw'ijuru, ni ukwigina intsinzi yiwe. Yashimikiye ku nkomoko y' uwo munsi mukuru wa Asomusiyo.

Naho iyurizwa rya Bikira Mariya mw'ijuru ari ukuri kwuzuye, Musenyeri Anatole

Ruberinyange ntakekeranya ko hari abatavyemera.



Ayo makenga ayagira ngo afatiye kw'igwirirana ry'amadini adaha ikibanza Bikira Mariya kimubereye. Ati uko ni ukwihenda, mbere gutahuritse mu gihe umutwe w'abantu ari muto gose. Ati mbere no mu gisabisho ca Credo, turemeza ko twemera Inama yaremye vyose, ibiboneka n'ibitaboneka. Iyurizwa rya Bikira Mariya mw'ijuru ririmwo ibisigabwenge, mu vyo twemera hariho ibinyegezwa vyinshi bigoye gusigura ijana kw'ijana, ariko ari ukuri.

Agarutse ku nkomoko y'uwo munsi mukuru wa Asomusiyo, icegera ca Musenyeri wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura yasiguye ko vyagaragaye ari uko babonye ko umubiri wa Bikira Mariya utaboze. Yamara, ngo uko kuri kwuzuye kw'iyurizwa rya Bikira Mariya mw'ijuru kwagiye kuranyengetera buhoro buhoro muri Ekleziya. Ati mu kinjana ca kane, umweranda Eferemu, mu mwaka wa 373, niwe yatanguye gutangaza ko umubiri wa Bikira Mariya utaboze. Hanyuma ngo mu kinjana ca 6, harabaye aberanda bavyemeza. Agatangaza kabaye ku ntwaro y'Umwami w'abami yitwa Morisi yatwara akarere ka Byzance, aho ni mu buseruko bw'Iburaya, niwe yatanguje umunsi mukuru w'iyurizwa rya Bikira Mariya mw'ijuru, awutanguza igihe binjira icese isengero yari yubatse, ayitirira Bikira Mariya yurijwe mw'ijuru, hari igenekerezo rya 15 Myandagaro. Uyo munsi mukuru waratandukiriye no mu karere k' Uburaya bw'uburengerazuba. Akabirya ngo kabonetse mu kinjana ca 17, mu mwaka w'1637, Umwami Ludoviko wa 13 yatwara igihugu c'Ubufaransa, yari yarabuze umwana aba Samuragwa, aca arasaba ko mu masengero yose yo mu gihugu, igenekerezo rya 15 Myandagaro, bogira ingendo nyeranda bambaza Bikira Mariya yurijwe mw'ijuru ngo ashobore kumukandira, aronke ikibondo. Barasavye kandi barumvirwa kuko ngo mu mwaka ukurikira, Umwami Ludoviko wa 14 yari avutse. Icakurikiye ni uko ababibonye baciye bakomeza uyo munsi mukuru wa Bikira Mariya yurijwe mw'ijuru. Ngo cabaye ikimenyetso ntibagiranwa.

Niho rero bukebuke, mu kinjana ca 19, kuva mu mwaka w'1854 gushika mu 1945, Abakirisu bashika imiriyoni 8, bandikiye Papa, bamusaba ko Bikira Mariya yurijwe mw'ijuru ari ukuri kwuzuye. Bari basanzwe bahimbaza uyo



munsi mukuru mugabo uko kuri kwuzuye k'ukwemera (dogme de foi) ntivyari bwabe. Mu nyuma abepisikopi 1.332 nabo nyene barandikira Papa, bakurikirwa n'Abapatiri n'abandi bihebeye Imana bagera ku 80.003. Bandikiye Papa Piyo wa 12, araheza agirisha inama abepisikopi bo kw'isi yose, kugira bagire ico babivuzeko, bamufashe gutora inyishu y'ico kibazo. Ngo 90 kw'100 y'abo bepisikopi baciye bavyemeza, 10 kw'100 nabo ntibavyemeje canke ngo babihakane, ariko ngo bibaza ko bidakenewe ivyo vyo kuvyemeza. Niho rero Papa Piyo wa 12 kw'igenekerezo rya 1 Munyonyo 1950, yaciye yemeza icese ko umubiri wa Bikira Mariya utaboze. Gurtyo Yezu yaramusangije itsinzi, barasangiye ubuninahazwa.

No mu beranda basanzwe, ngo haraho usanga imibiri yabo itanadonotse. Ngo akarorero ni ako Umweranda Yohani Mariya Viyane, Patiri mukuru wa Paruwasi ya Ars. Iyo kanaka adasobanukiwe, ivyiza ni ukumusigurira ko azoza arabitahura bukebuke.Gusa, ikibi ngo ni ugufata nk' ikinyoma ivyo utemera. Igikuru ngo ni ugutenyenya. Musenyeri Anatole Ruberinyange yaciye aboneraho guhanura ishengero ryari aho kudaharira n'abari mu yandi madini, nibashika mu mihana iwabo.

Christine NAHIMANA

Nyeniteka Umukuru w'Inama Nshingamateka yitabiriye amatora y'abarongora abandi ku mitumba.

Umukuru w'Inama nshingamateka, Nyeniteka Gelase Daniel Ndabirabe ari kumwe n'umupfasoni wiwe, Ariane Kigeme, yarifadikanije n'abenegihugu mu gikorwa c'iteka co kwitorera indongozi zo ku mutumba. Ayo matora akaba yabaye kw'igenekerezo rya 24 myandagaro 2020, kw'ishure nshingiro rya Ruvumu, aho ni ku mutumba wa Ruvumu asanzwe avukako, uri muri komine Matongo yo mu ntara ya Kayanza. Nyeniteka Gelase Daniel Ndabirabe akaba yamenyesheje ko abahanuzi bo ku mitumba bafise uruhara runini mw'iterambere ry'igihugu kuko iterambere rihera ku mutumba. Umukuru w'Inama Nshingamateka yaramenyesheje urwaruka hamwe n'abenegihugu yuko bokwijukira kuja mu ma koperative. Yaranabahimirije kurungika abana babo kw'ishure, gukurikiza ingingo zo kwikingira ikiza ca coronavirus na malariya, kwitwararika kugabanya imvyaro, kurima no kworora



kijambere, kwitaho ibikorwa vyo soko ry'iterambere. Yarasavye kandi yuko intahe yo ku mugina yosubira guhabwa iteka. Mu guheraheza ijambo ryiwe, Nyeniteka Gelase Daniel Ndabirabe yarashimiye abenegihugu bamwizeye bakamutora ngo abaserukire mu Nama Nshingamateka y'Uburundi.

J.B Claude NIJIMBERE

Inama Nshingamateka yarateguye uruganda rwo gukarihiriza ubwenge Abashingamateka bashasha bo mu kiringo ca 2020-2025.

Ku munsi wa gatatu, igenekeezo rya 26 Myandagaro 2020, icegera ca mbere c'umukuru w'Inama Nshingamateka, Nyakwubahwa Sabine Ntakarutimana, yaruguruye icese uruganda rwo gukarihiriza ubwenge Abashingamateka bashasha bo mu kiringo ca 2020-2025 hamwe n'abakozi bo muri urwo rwego, mu ntumbero yo kubakarihiriza ubwenge mu ntango y'iki kiringo gishasha ca 2020-2025, kugira ngo bagitangure bafise ubumenyi bukwiye ku bijanye n'igikorwa cabo co gutora amabwirizwa.



Mw'ijambo yashikirije ryo kwugurura urwo ruganda, icegera ca mbere c'umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Sabine Ntakarutimana yamenyesheje ko ukwungura ubumenyi Abashingamateka mu gutunganya amabwirizwa ari igikorwa gihambaye kugira ngo bashire mu ngiro ivyo batumwe n'abenegihugu bijanye no gutora amabwirizwa, gusuzuma ko ahuye n'Ibwirizwa Nshingiro hamwe no kuraba n'ingene Leta iyashira mu ngiro.



Abashingamateka bakaba bazoca bamenyera ivyerekeye inzira ibwirizwa ricamwo uhereye ku kuritunganya, kuryandika, kuryihweza hamwe n'ukuryemeza. Ivyo bikazotuma hataba ukuvuguruzanya kw'amategeko.

Umushingamateka Sabine Ntakarutimana yamenyesheje ko izo nyigisho bagiye kuronka zizobafasha ingene bazohora bakorana n'abo muri Leta, n'abandi bagenzi babo b'Abashingamateka, abenegihugu babatoye, imigambwe hamwe n'amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike kugira ngo bashire ivyiyumviro hamwe bizobafasha mu gushiraho no gutora amabwirizwa. Ati ibi vyigwa bizobafasha kandi gutandukanya ubwoko bw'amategeko, aho twovuga nk'ibwirizwa shingiro, amategeko asohorwa n'Umukuru w'igihugu hamwe n'izindi nzego zitandukanye.

Muri urwo ruganda, Abashingamateka bakaba bagiye kurabira hamwe ingene boja baratunganya amabwirizwa avuye iwabo ico bita proposition de lois. Bikaba vyibonekeza ko ayo mabwirizwa yama ari make cane, amabwirizwa nka yose yama ava muri Leta, ivyo bikaba mbere vyibonekeza no mu bihugu biteye imbere.

Iyo nama ikaba yamaze imisi itatu.

Arlette Akimana

Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yaritavye amatora y'abakuru b'imitumba.

Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka, Umushingamateka Sabine Ntakarutimana, yaritavye amatora y'abakuru b'imitumba yatunganijwe kw'igenekerezo rya 24 myandagaro 2020.

Ico gikorwa akaba yakiranguriye ku musozi avukako wa Gasuru, zone Kiremba, komine Gasorwe, mu ntara ya Muyinga.

Akaba yamenyesheje ko ico gikorwa gifise insiguro ihambaye mu buzima bw'igihugu kuko iterambere rihera ku mitumba rigashwara igihugu cose. Iryo terambere naryo ngo rishoboka iyo igihugu gifise indongozi nziza



kuva ku mutumba gushika hejuru. Yongeye ati nico gituma nkabatowe n'abenegihugu, dutegerezwa gushigikira indongozi zo ku mutumba kuko arizo zegereye cane abo benegihugu nyene badutoye.

Arlette Akimana

Igisabisho co gushimira Imana



Kuva kw'igenekerezo rya 20 gushika kurya 23 myandagaro 2020, umuryango wa Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu warateguye amasengesho yo gushimira Imana. Ayo masengesho yari yatewe iteka n'umuryango wa Nyeniteka Umukuru w'Inama Nshingamateka, umuryango w'Icegera c'Umukuru w'Igihugu, Umushikiranganji wa Mbere, Abashingamateka, Abakenguzamateka, abagize Leta y'Uburundi, hamwe n'abandi bategetsi batandukanye, hatibagiwe n'abenegihugu baserukiye ama komine agize intara ya Ngozi. Ayo masengesho yatangujwe n'urugendo rw'abategetsi bari bitavye ico gikorane.



Muri ico kiringo c'iminsi ine, Pasitori Emery Ndaboroheye yishikimikije igitabo ca Bibiliya mu Migani igice ca 14:35 hamwe na Yohani igice ca 14 :30. Ivyo vyandiko vyeranda bihamagarira abantu kurondera ubwizigirwa ku Mana. Uyo muvugabutumwa yamenyesheje ko Umukuru w'Igihugu ariwe aserukira Imana mu gihugu; ko rero Abarundi bategerezwa kumwubaha, bakubaha n'imigambi ya Leta yiwe mu ntumbero yo kuronka imihezagiro y'Imana. Yaramenyesheje kandi ingeso mbi zo kurwanya kugira ngo twirinde ibihano vy'Imana; nk'

ibiturire n'akarenganyo mu gihugu. Yabandanije amenyesha ko uwuzohemukira Umukuru w'Igihugu azoba ahemukiye Imana yo mw'ijuru.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu afashe ijambo, yishimikije ivyanditswe vyeranda biri muri Ezekiyeri igice ca 37:1-14. Jenerari Varisito Ndayishimiye yamenyesheje abari aho yuko igihugu c'Uburundi kirongowe na mpwemu yera, mu gihe bashize Imana imbere. Yarabaremesheje kandi ko tutazongera gusubira inyuma kuko twamaze kwiyambura ibiducanishamwo iyo bituruka hose. Nyenicubahiro Umukuru wIgihugu yabandanije amenyesha ko ico Abarundi bakeneye ari ukuja ku kivi, bagateza imbere igihugu. Umukuru w'Igihugu yaboneyeho kugabisha indongozi zimwe zimwe zigenza nabi yuko batazozihanganira mu makosa yazo yuko zizoronka ibihano bizibereye. Yongeye kumenyesha abatwara amadini ko boba akarorero mu kureka gucanishamwo abo barongoye, kandi bakifatanya n'abandi Barundi mu guteza imbere igihugu. Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yashikirije kandi ko Umuhisi Perezida Petero Nkurunziza yamuraze igihugu ciza kandi ko mubibigaragaza ari uko Abarundi bigenjeje bakabumbatira amahoro mu bihe bigoye duhitiyemwo. Ati Imana yonyene niyo izi inzira Abarundi turiko turajamwo. Ico gikorane kikaba carangiye



ku munsi w'Imana, igenekerezo rya 23 myandagaro 2020. Mu masengesho yo gusozera, Umukuru w'Igihugu yabandanije ashimangira yuko Uburundi arico kimwe na



Kanahani, igihugu Imana yari yasezeraniye Abisirayeri. Kubwa Jenerari Varisito Ndayishimiye, igenekerezo rya 20 myandagaro buri mwaka hazokwama haba amasengesho, ikimenyetso ntabesha c'ukwibuka ibikorwa vyiza vyaranze Umuhisi Perezida Petero Nkurunziza. Umukuru w'Igihugu yategetse ko indongozi zose zitegerezwa kwerekana amatungo yazo zikija mu mabanga n'igihe ziyavuyemwo, ku nzego zibijejwe. Ico gikorane kikaba carangijwe n'ugusengera igihugu c'Uburundi hamwe n'isandugu ry'isezerano.

J.B. Claude NIJIMBERE

Isozerwa ry'uruganda rwo gukarihiriza ubwenge Abashingamateka ku bijanye no gutunganya amabwirizwa.



Imigwi yamaho mu Nama Nshingamateka irasabwa gukurikirana ivyerekeye integuro za Leta zo ku mwaka ku mwaka kugira ngo basuzume ko zija mu ngiro bakagira n'ivyo basaba igihe abagize Leta baba baje gushikiriza imbere y'Inama Nshingamateka ivyegeranyo vy'ivyo baranguye. Ico ni kimwe mu vyasabwe mu gusozera uruganda rwo gukarihiriza ubwenge Abashingamateka hamwe n'abakozi bo mu Nama Nshingamateka mu vyerekeye gutunganya amabwirizwa. Urwo ruganda rukaba rwabaye kuva kuwa 26 gushika kuwa 28 myandagaro 2020.

Inama Nshingamateka na Leta birasabwa kandi kwungura ubuhinga bwo gukwiragiza hose amabwirizwa aba yatowe kugira ngo abenegihugu bose bayamenye. Inama Nshingamateka irasabwa kandi gushiraho umugwi wamaho ujejwe gushira mu kirundi inyandiko z'amabwirizwa.Ikindi casabwe n'uko hojaho ibiro vy'abashingamateka mu ntara kugira ngo abenegihugu baronke aho baja barabasanga baje gushikiriza ibibabakiye.

Mw'ijambo yashikirije ryo gusozera urwo ruganda, icegera ca mbere c'umukuru w'Inama Nshingamateka Umushingamateka Sabine Ntakarutimana yaragarutse ku ntumbero y'urwo ruganda ikaba yari iyo gukarihiriza ubwenge Abashingamateka hamwe n'abakozi bo mu Nama Nshingamateka muri iki gihe

ikiringo gishasha cabo gitanguye. Nkuko abimenyesha, iryo hangiro ryarashitsweko kuko ku vyo bigishijwe barafashe akaryo ko kubaza ibibazo nkoramutima, abandi barashikiriza intererano zabo.

Bikaba vyaribonekeje ko Inama Nshingamateka ari gake cane itunganya integuro z'ibwirizwa, nyinshi ziva muri Leta ziza mu Nama Nhingamateka. Ikindi cibonekeje n'uko hari amabwirizwa make agenga ivy'imibano n'ubutunzi mu Burundi. Ikindi bashimikiyeko cane n'uko amabwirizwa ategerezwa kuba yanditse mu nyandiko yumvikana, iboneka neza kugira vyorohere Abashingamateka kuyica irya n'ino.

Mu gusozera, icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yamenyesheje ko adakekeranya ko inyuma y'ivyo vyigwa, Abashingamateka baronse impamba ikwiye kugira bazokore igikorwa cabo neza muri iyi myaka itanu batorewe.

Arlette Akimana

Umukuru w'Inama Nshingamateka yarifadikanije n'abakirisu bo mw'Ishengero ry'urutare mu guhimbaza umunsi w'Imana

Ku munsi w'Imana, igenekerezo rya 23 myandagaro 2020, umukuru w'Inama Nshingamateka, Nyeniteka Gelase Daniel Ndabirabe n'umutambukanyi wiwe Ariane Kigeme, yaritavye igisabisho co mw'isengero ry'urutare ry'i Buye muri komine Mwumba mu ntara ya Ngozi. Hari hitavye kandi umupfasoni w'uwahoze atwara Uburundi Denise Nkurunziza, Abashingamateka n'abakristu bo mw'ishengero ry'urutare ryaho i Buye.



Mu nyigisho ziwe, umuvugabutumwa, Pasitori Emery Ndaboroheye, yagarutse kw'ibanga ryo kuguma mu munezero no mu bugiraneza. Ijambo ry'ifatiro rikaba ryari ryasomwe mu Baroma ba mbere igice ca 18 : 19. Yaribukije abari aho ko Imana ishaka ko tubaho neza, kandi ko abakozi ba Leta ari abakozi b'Imana. Ati rero dutegerezwa kwubaha abaganza kuko ari abakozi b'Imana. Akaba yarashikirije kandi inzira zitatu Imana icishamwo umuntu kugira ngo irabe ko yubaha abamukuriye. Mw'ijambo ryiwe, umukuru w'Inama Nshingamateka yabanje gushima uko bamwakiriye aca abandanye avuga ko Imana itaturemye ngo tugume turi abakene ariko ko yaturemye ngo tubeho neza kuko idukunda. Yabandanije avuga ko dutegerezwa kwubaha abaganza.

Ati umukene ni umuntu ataramenya Imana, kuko umaze kumenya Imana uba ufise ubutunzi ntangere. Mu gushimangira ayo majambo, yashikirije ko umuntu afise vyose mu butunzi ariko ataramenya Imana aba ari umukene mu vy'umutima; nayo umukene mu vy'ubutunzi ariko amaze kumenya Imana aba ari umutunzi mu vy'umutima. Yarangije ijambo ryiwe abemerera kuzogaruka gusangira nabo igisabisho nibamutumira.

J.B. Claude NIJIMBERE

Umukuru w'Inama Nshingamateka yarakiriye mu biro iwe uwuserukira igihugu ca Kenya mu Burundi.



Umukuru wInama Nshingamateka Nyeniteka Gelase Daniel Ndabirabe yarakiriye mu biro iwe ku munsi wa gatatu igenekerezo rya 3 nyakanga 2020 uwuserukira igihugu ca Kenya mu Burundi Kenneth Vitisia. Uwo mushitsi akaba yari aje kumushikiriza ubutumwa bw'umukuru w'Inama Nshingamateka hamwe n'umukuru w'Inama Nkenguzamateka za Kenya, ubutumwa bwo kumukeza hamwe n'abari mu Biro vy'Inama Nshingamateka ku mabanga mashasha baheruka gutorerwamwo.

Nyeniteka Gélase Daniel Ndabirabe hamwe na Ambasaderi Kenneth Vitisia bakaba kandi baraganiriye ku vyerekeye ugukomeza imigederanire hagati y'Inama Nshingamateka za Kenya n'Uburundi, ihagaze cane cane ku kwungurana ubumenyi hagati y'Abashingamateka. Abarongoye Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka za Kenya bakaba bamenyesha ko biteguye kuzogendera Uburundi.

Arlette Akimana

Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yaritabiriye amatora y'abakuru b'imitumba







Umutumba niwo mushinge w'iterambere rirama. Ivyo ni ivyashikirijwe ku munsi wa mbere, igenekerezo rya 24 myandagaro 2020 n'icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka. Umushingamateka Abel Gashatsi, yagereranije umutumba n'umushinge w'inzu, mu gihe yari ahejeje gutora abajenama b'imitumba ku mutumba avukamwo wa Teka, kuri ECOFO ya Kivoga ya kabiri, aho ni muri komine ya Mbuye iri mu ntara ya Muramvya.

Intumbero ya Leta mvyeyi, Leta nkozi, Leta nsenzi ni uko umwenegihugu yotanga nawe nyene umuganda mw'iterambere, nk'uko Umushingamateka Abel Gashatsi yabandanije abimenyesha , mu gusigura akamaro k'iryo tora rihereje mu rukurikirane rw'amatora yabaye mu gihugu cose c'Uburundi mu mwaka w'2020.

Christine Nahimana

UMURWI WAMAHO UJEJWE UBURIMYI, UBWOROZI IBIDUKIKIJE, GUTEZA IMBERE AMA KOMINE HAMWE N'IBIKORWA VYA LETA

1. Hon NKURUNZIZA Jocky Chantal: **Umukuru w'umurwi**
2. Hon MANIRAKIZA Côme : **Icegera**
3. Hon NDAYISENGA Bernard : **Umunyamabanga**
4. Hon MISAGO Zachée
5. Hon NIYUNGEKO Emmanuel
6. Hon NIBIZI Epimeny
7. Hon NTIRAMPEBA Anicet
8. Hon MANIRAMBONA Antoine
9. Hon NAHIMANA Marie Rose
10. Hon NGENDAKUMANA Solène
11. Hon SABUSHIMIKE Imelde
12. Hon SINDAYIKENGERA Apollinaire
13. Hon NAHIMANA Dieudonné
14. Hon NDAYIZEYE Anicet
15. Hon HARUSHIMANA Laurent.

UMURWI WAMAHO UJEJWE IMIBANO, GUHUNGURA IMPUNZI, KUNGANISHA AMAHIRWE NO KURWANYA SIDA.

1. Hon MALAYIKA Pamphile : **Umukuru w'umurwi**
2. Hon NIYITUNGA Alice : **Icegera**
3. Hon KARERA Denis : **Umunyamabanga**
4. Hon KANEZA Marie Claire
5. Hon NIZIGAMA Sylvie
6. Hon HABARUGIRA Fidélité
7. Hon NDUWIMANA Hassan
8. Hon NIYONKURU Alodie
9. Hon HARERIMANA Alice
10. Hon HABARUGIRA Lydwine
11. Hon NDUWIMANA Nicodème
12. Hon NTACABAKIMVUNA Marie Immaculée
13. Hon NDUWIMANA Patricie
14. Hon MUTEZINKA Euphrasie
15. Hon NIYONSABA Marie Rose

UMURWI WAMAHO UJEJWE POLITIKE, INTWARO, IMIGENDERANIRE N'AMAKUNGU HAMWE N'IBIHUGU BIGIZE AKARERE KA AFIRIKA Y'UBUSERUKO.

1. Hon BUTORE Joseph : **Umukuru w'umurwi**
2. Hon RWASA Agathon : **Icegera**
3. Hon MBONEKO Sauda : **Umunyamabanga**
4. Hon HABONARUGIRA Suavis
5. Hon NIRAGIRA Silas
6. Hon MVUYEKURE Lazare
7. Hon BIGIRIMANA Emmanuel
8. Hon NAKUMURYANGO Léonidas
9. Hon NIBIZI Antoinette
10. Hon KWIZERA Jean Claude
11. Hon INAMUCO Aline
12. Hon MANIRAMBONA Térence
13. Hon BUTOYI Désiré
14. Hon NIYUBAHWE Pierre Claver
15. Hon BIGIRIMANA Zénon

UMURWI WAMAHO UJEJWE UBUTUNGANE N'AGATEKA KA ZINA MUNTU.

1. Hon NDIKUMANA Evariste : **Umukuru w'umurwi**
2. Hon HAKIZIMANA Léopold : **Icegera**
3. Hon MANIRABARUSHA Aline : **Umunyamabanga**
4. Hon MANIRAKIZA Emile
5. Hon NGENDAKUMANA Sylvestre
6. Hon NDAYISHIMIYE Marie Rose
7. Hon BUREGURE Elias
8. Hon KEZIMANA Cathy
9. Hon BANTEYUBWOBA Révérien
10. Hon MPAWENAYO Justine
11. Hon KAYOBERA Evariste
12. Hon SINDAYIGAYA Jean Baptiste
13. Hon NSABIMANA RithaHon
14. NISHIMWE Bénigne
15. Hon BIGERUMUSASE Rémy

UMURWI WAMAHO UJEJWE UMUTEKANO NO KWIVUNA ABANSI

1. Hon NDARUVUKANYE Zénon : **Umukuru w'umurwi**
2. Hon SINDIMWO Gaston : **Icegera**
3. Hon BARAMPAMA Nadine : **Umunyamabanga**
4. Hon GIKEKE Pascal
5. Hon MANIRAKIZA Alexis
6. Hon BIZUMUREMYI Pascal
7. Hon NDUWIMANA Bernardine
8. Hon BIZIMUNGU Simon
9. Hon SINZINKAYO Jean Pierre
10. Hon HASABINTWARI Jean Claude
11. Hon RWASA Catherine
12. Hon NKURUNZIZA Jacqueline
13. Hon NDUWIMANA Déo
14. Hon HAKIZIMANA Georges
15. Hon NIYOBUHUNGIRO Justin

UMURWI WAMAHO UJEJWE INTWARO IBEREYE NO GUSHIRA MU MINWE Y'ABIKORERA UTWABO AMASHIRAHAMWE, INYUBAKO N'IBINDI BIKORWA LETA IFISEMWO IMITAHE.

1. Hon NAHAYO Claude : **Umukuru w'umurwi**
2. Hon SUGURU Olivier : **Icegera**
3. Hon NIYONKURU Pélate : **Umunyamabanga**
4. Hon HIBONEYE Dieudonné
5. Hon NIJIMBERE Onesphore
6. Hon RUGEMA Charles
7. Hon RUTUMO Tharcisse
8. Hon NIHORIMBERE Agrippine
9. Hon NIJIMBERE Céline
10. Hon NSHIMIRIMANA Jean
11. Hon NAHAYO Révérien
12. Hon MBONINYIBUKA Parfait
13. Hon NZEYIMANA Zaïnabu
14. Hon GAHUNGU Thacien
15. Hon NTAKIYIRUTA Obed

UMURWI WAMAHO UJEJWE INDERO, URWARUKA IMICO KAMA NO GUTUMATUMANAKO AMAKURU.

1. Hon MPOZERINIGA Félix : **Umukuru w'umurwi**
2. Hon HATUNGIMANA Athanase : **Icegera**
3. Hon NIYONZIMA Constantin :**Umunyamabanga**
4. Hon BIGIRUMUHIRE Edmond
5. Hon BIGIRMANA Salvator
6. Hon SINZINKAYO Venant
7. Hon NIYONZIMA Jean Baptiste
8. Hon NDIRAHISHA Janvière
9. Hon NDIZEYE Dieudonné
10. Hon NKENYEREYE Constantin
11. Hon NIZIGIYIMANA Fébronie
12. Hon NYANDWI Bède
13. Hon BUCUMIE Pétronie
14. Hon BACIMISI Donatille
15. Hon MINANI Violette

UMURWI WAMAHO UJEJWE IBIBAZO VY' UBUTUNZI.

1. Hon NTAHONTUYE Nestor : **Umukuru w'umurwi**
2. Hon BARAMPAMA Chantal : **Icegera**
3. Hon HATUNGIMANA Godeberthe :**Umunyamabanga**
4. Hon NTISUMBWA Dévote
5. Hon BAZIZANE Médiatrice
6. Hon NTAGAHORAHO Jeanne Marie
7. Hon GAHITIRA Rédempteur
8. Hon NIVYABANDI Martin
9. Hon CISHAHAYO Emmanuella
10. Hon NIMUBONA Jean Claude
11. Hon BARYANINTIMBA Ildephonse
12. Hon MBANYE Jean Berchmans
13. Hon NAKAMANA Euphrasie
14. Hon NDIKUMAGENGE Antoinette

INAMA NSHINGAMATEKA

UMUKURU W' IYANDIKIRO	ABANDITSI	AMASANAMU
J. Bosco NDAYIZEYE	Arlette AKIMANA J.B claude NIJIMBERE Christine NAHIMANA J. Claude BUMWE	Richard NDAYISENGA David Mwami KWIZERA